*Myandagaro 2024* *kirundi*

# Ego cane, waratowe!

**„Ni jewe nabatoye** (Yohani 15,16)

**Kontakt:** *Meinolf Wacker*
*Kirchplatz 7*
*59174 Kamen*

*Mobil.:* *+49-172-5638432*
*Mail:* *meinolf.wacker@go4peace.eu*
*Homepage* *www.go4peace.eu*

Bakunzi ba go4peace,

„Ivyo ntibibaho!“ Uko niko twitangaza iyo haje akanyamuneza tutari twiteze, haba nk’iyo dutsindiye ihiganwa, canke iteka tutari zwiteze, eka mbere n’iyo badutoreye ikibanza gihambaye tutabiziga. Witangaza uti : jewe bantora! Burya itora ryaguye kuri jewe? Ivyo ntibibaho. Buhoro buhoro niho iyo nkuru nziza iteba ikatunyengetera mu mutima.

Emwe uko nyene, bisa n’ibidashoboka, ni ko Inkuru Nziza ya Yezu Kristu ishikiriye abatumwa biwe. Ababwiye ati :“ Si mwe mwantoye, ariko ni jewe nabatoye, kandi nabashinze kugenda ngo mwame icamwa“ (Yohani 15,16).

Hari umukenyezi yapfakaye akiri muto. Hari haciye indwi nkeyi bamushinguye umugabo wiwe. Igihe cose nama ndamurungikira amafoto, nongerako n’amajambo yo kumuremesha. Niho yanyishura akanyandikira ati : „Warakoze ku majambo kiremesha yawe. Yama ashika igihe ndayakeneye.

Ndakundwa koko – urutagira iherezo kandi rutagabanije. Burya hariho Imana, impa vyose, kubera gusa ko inkunda. Kandi yarantoye ngo mbe umugenzi wayo, maze mbe n‘umugenzi w’abo yaremye bose. Ubwo weho ntiwoba uciye wihura ubu uti : „ ivyo ntibibaho!“ -Ego cane, waratowe!

Kubwa go4peace Meinolf Wacker.